

# Ugutegerezwa kuza kw'Ishure

## Ibimenyeshejwe ku bavyeyi n'abarezi

Indero y'umwana wawe ni ngirakamaro kandi ukwama aza kw'ishure ni nkenerwa ngo abana banyu bamenye neza mw'ishure kandi bategure kazoza k'ubuzima bwabo. Urwego rw'amashure ya Reta i NSW rufatánya n'abavyeyi mu guhimiriza n'ugushigikira ukudasiba mw'ishure kw'abana n'urwaruka. Igihe umwana wawe aja mw'ishure imisi yose, ukwiga kuramworohera, agakomeza n'imigenderanire n'abandi bana.

### Ni ibiki njejwe kubwo amategeko?

Ukwiga muri New South Wales ni itegeko ku bana bose b'imyaka iri hagati y'6 n'imyaka 17 mike yemewe yo kuva mw'ishure. Amasezerano Agenga Indero 1990 asaba ko abavyeyi bajana abana babo kw'ishure ku myaka itegekanijwe, ntibásībe, canke bakandikwa mu Kigo Kijejwe Akanovera k'Inyigisho zitangirwa i muhira muri NSW.

Bamaze kwandikwa, abana bahimirizwa kuza kw'Ishure ku musi wose abanyeshure baja kwiga.

### Akamaro ko Gushika ku Gihe

Ugushika kw'Ishure ku gihe:

- bifasha abanyeshure kudahomba inyigisho ngirakamaro zateguwe hakiri kare ku musi
- bifasha abanyeshure kwiga akamaro k'ukumenyera kudácērérwa
- biha abanyeshure akaryó ko kuramukanya imbere y'ivyigwa
- bigabanya uguheba ishure.

Ugucererwa gufatwa nk'ugusiba kandi kurasobanurwa n'abavyeyi.

### Vyogenda gúte mu gihe umwana wanje aba kure y'Ishure?

Rimwe na rimwe, birashobora kuba nkererwa ko umwana wawe asībá. Imvo zumvikana z'úgusība ní izi:

- Kugwara, canke ingwara yandukira
- kugira isāngo ry'întásubírizwa ry'ukubonana n'umuganga
- gusabwa kwitaba umusi mukuru werekeye idiní
- imanza zidasanzwe; z'íkibíriraho mu muryāngo nk'ámazīko.

Inyuma y'úgusība kw'ishure, utegerezwa kwitwararika gutanga insobanuro ivuzwé canke yanditswe mu misi 7. Ariko, bíshitse hagahéra imisi 2 iyo nsobanuro itárābóneka, ishure rishobora kuguhamagara ngo muvugáne ivyerekeye ico gisībo.

Abayobozi bashobora guhakana insiguro watanze mu gihe batemera ko ukwo gusiba gufitiye umwana wawe akamaro. Gútyo, ugusiba kw'umwana wawe gufatwa nk'ukudafise ishingiro. Bígenze uko, umuyobozi azokubwira ingingo yafashwe n'ígitúma yafashwe.

Abayobozi bashobora gusaba impapuro zo kwa muganga canke ibindi vyemezo mu gihe ibisibo vy'imisi myinshi bisobanurwa nk'ibiterwa n'ingwara. Abayobozi bashobora n'ugusaba abavyeyi gukorana n'abahinga bavura umwana ngo bafatanye kumufasha. Vyanswe, umuyobozi aca yemeza ko ukwo gusiba kudasobânutse.

## Ingēndo

Imiryango ihimirizwa gufata ingendo mu gihe c'uburuhuko. Asangwa hariho urugendo rukenewe ku musi w'ishure, bivugane n'umuyobozi. Urupapuro Rusigura Igisībo bishobora kuba nkenerwa ko rwuzuzwa. Ibisībo vy'ingendo biharurirwa hamwe n'ibindi bisībo, bikongerezwa ku vyó umwaka wose.

Mu bihe bimwebimwe, abanyeshure bashobora kwandikwa ku ntonde z'abigishirizwa kure kubwo ingendo imisi 50 yaganewe kuja kw'ishure. Ivyo murabivugana n'umuyobozi.

## Umwana wanje yanse kuja kw'ishure, nokora iki?

Woca uvugana n'umuyobozi vuba cane kuri iyo ngorane, ugasaba gufashwa. Bumwe mu buhinga bwo kumufasha kuja kw'ishure ni uguhindura, umwana wawe akigira kure y'Ishure hakoreshejwe ubuhinga bugezweho. Umuyobozi ashobora kurondera ugushigikirwa biciye mu Nteguro Ihuza Ishure n'i Muhira mu Mpinyayuro Ifasha umwana Gutonda.

## Vogenda gute Umwana wanje akomeje kuba ikigâbá maze akāma mu bisibo bidafisé insiguro?

Ni ngombwa kumva ko Ishami ry'Uburezi rishobora gusabwa gufata ingingo zindi aho abana bo mu kigero cy'ishuri ku gahato bagiye bagaruka ku mibare idasobanutse canke idafise ishingiro ku ishuri.

Zimwe mu ngingo zikuríkira zofatwa:

- Inganda z'Ishure Zihimirizwa bose

Ushobora gusabwa kuzanana n'umwana wawe mu Nganda z'Ishure Zihimirizwa bose. Urwo ruganda ruzofasha kumenya ugufahwa umwana wawe yohabwa ngo yame aza kw'ishure. Ishure, abavyeyi n'Ibigo bazokorera hamwe mu Nteguro yumvikanyweko (izwí nk'Íbigéragezwa) ngo Umwana wawe afashwe kudásībá kw'Ishure.

- Ugusaba Uruhusha rw'Uguhimiriza Kwiga muri Sentare Yitaho Abana

Mu gihe ukujá kw'ishure kw'Umwana kugumyé kúri hasi cane, Igisáta kibijejwe gishobora gusaba Sentare.

Yitaho Abana Uruhusha rw'Uguhimiriza Kwiga. Umushingwamanza wa Sentare y'Abana Ashobora kwemeza Uruhusha rw'Uguhimiriza Kwiga.

- Kwitwarirwa muri Sentare y'Intango

Ishure n'Igisata biyemeje gukorana nawe mu gutorera umuti ingorane zibuza umwana wawe kwama atonda kw'Ishure. Mu gihe Umuvyeyi abaye intambamyi mw'Ikurikizwa ry'Uruhusha rw'Uguhimirizwa Kwiga, inkurikizi ni ukwitwarira Umuvyeyi muri Sentare y'Intango. Mu ngingo zofatwa na sentare harimwó ugutwara umwana canke ihádăbu.

## Umwana wanje yoheba ishure amaze imyaka ingahe ?

Abana bose bo muri New South Wales bategerezwa kurangiza umwaka w'10 canke kuringaniza. Umwana ataramara imyaka 17, aba ari mu bafashwa kurangiza kwiga.

## Gukorana mu Runani

Igisata Kijejwe Indero i NSW kiremeza ko gukorana n'abanyeshure n'abavyeyi babo ari bwo buryo bwiza burusha bwose gukomeza ukudasiba kw'ishure.

Turiteguriye gukorana nawe ngo dufashe umwana wawe gushitsa indoto z'ubuzima bwiwe.

## Imvugirakure wohamagarako mu gihe hakenewe umusobanuzi

Igore uvugane n'ishure mu gihe wokenera izindi nkuru. Asangwa ukeneye umusobanuzi ngo uvugáne n'ishure, igore uhamagare 131 450, ubabwire ururimi ukeneye maze umuhinga aguhamagarire kw'ishure. Umuhinga azorondera umusobanuzi kuri uwo murongo ngo agufashe mu biganiro. Ntuzorihishwa kubwo ivyo.